REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

# LOI ORGANIQUE N°1/28 DU 30 DECEMBRE 2024 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI ORGANIQUE N°1/20 DU 3 AOUT 2019 PORTANT ORGANISATION ET FONCTIONNEMENT DE LA COUR CONSTITUTIONNELLE AINSI QUE LA PROCEDURE APPLICABLE DEVANT ELLE

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/26 du 26 décembre 2023 portant Modification de la Loi n°1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Revu la Loi Organique n°1/20 du 3 août 2019 portant Organisation et Fonctionnement de la Cour Constitutionnelle ainsi que la Procédure Applicable devant elle ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Vu l'Arrêt RCCB 431 du 24 octobre 2024 rendu par la Cour Constitutionnelle ;

**PROMULGUE :**

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

# IBWIRIZWA RYUNGANIRA IBWIRIZWA SHINGIRO INOMERO 1/ 28 RYO KU WA 30 KIGARAMA 2024 RISUBIRAMWO IBWIRIZWA RYUNGANIRA IBWIRIZWA SHINGIRO INOMERO 1/20 RYO KU WA 3 MYANDAGARO 2019 RISHINGA INGENE SENTARE YUBAHIRIZA IBWIRIZWA SHINGIRO ITUNGANIJWE N'INGENE IKORA HAMWE N'INGENE IBURANISHWA RY'IMANZA RIGENDA MURI IYO SENTARE

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/26 ryo ku wa 26 Kigarama 2023 rihindura ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ryerekeye Igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo ;

Asubiye kwiheza ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/20 ryo ku wa 3 Myandagaro 2019 rishinga ingene Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itunganijwe n'ingene ikora hamwe n'ingene iburanishwa ry'imanza rigenda muri iyo sentare ;

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ,

Yihweje urubanza RCCB 431 rwo ku wa 24 Gitugutu 2024 rwaciwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro;

**ATANGAJE :**

## CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

**Article 1 :**
La présente loi a pour objet la fixation des règles relatives à l'organisation, au fonctionnement de la Cour Constitutionnelle et à la procédure applicable devant elle.

**Article 2 :**
La Cour Constitutionnelle est une institution judiciaire autonome et indépendante vis-à-vis des autres organes constitutionnels.

Elle est la juridiction de l'Etat en matière constitutionnelle.

Elle est juge de la constitutionnalité des lois, des traités et des règlements et interprète la Constitution.

## CHAPITRE II : DE L'ORGANISATION DE LA COUR

### Section 1 : Des membres de la Cour

**Article 3 :**
La Cour Constitutionnelle est composée de sept membres choisis parmi les juristes reconnus pour leur intégrité morale, leur compétence, leur impartialité et leur indépendance.

Elle comprend des membres permanents et des membres non permanents.

Le nombre de membres permanents ne peut être ni inférieur à quatre ni supérieur à cinq.

Le Président, le Vice-président et les magistrats de carrière sont permanents.

## IGICE CA I : IVYEREKEYE INGINGO NGENDERWAKO

**Ingingo ya 1 :**
Iri bwirizwa rifise intumbero yo gushinga ingingo zitunganya Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, ingene ikora hamwe n'ingene iburanishwa ry'imanza rigenda muri iyo sentare.

**Ingingo ya 2 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ni sentare yitunganiriza intwaro n'ikigega kandi yigenga ku zindi nzego zitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro.

Ni Sentare y'Igihugu ijejwe ivyerekeye Ibwirizwa Shingiro.

Iyo Sentare yihweza ko amabwirizwa, amasezerano n'amategeko vyisunga Ibwirizwa Shingiro ikongera igatanga insiguro yaryo.

## IGICE CA II : IVYEREKEYE INGENE SENTARE YUBAHIRIZA IBWIRIZWA SHINGIRO ITUNGANIJWE

### Agace ka 1 : Abagize Sentare

**Ingingo ya 3 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro igizwe n'abantu indwi batorwa mu banonosoye amategeko, bazwi ko bagendera ubuntu, babifitiye ubushobozi, bakora ataho bahengamiye kandi mu bwigenge.

Sentare igizwe n'abacamanza ntayegayezwa n'abasasa batumweko.

Igitigiri c'abacamanza ntayegayezwa bagize iyo Sentare ntigishobora kuba musi ya bane canke ngo kirenge batanu.

Umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, Icegera c'umukuru wa Sentare n'abacamanza bagize ubucamanza umwuga ni ntayegayezwa.

La composition de la Cour Constitutionnelle est faite dans le respect des équilibres constitutionnels.

Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro batorwa hubahirijwe ibitigiri bitegekanijwe n'Ibwirizwa Shingiro.

**Article 4 :**
Les membres de la Cour sont nommés par décret après approbation du Sénat.

**Ingingo ya 4 :**
Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu babanje kwemezwa n'Inama Nkenguzamateka.

Ils ont un mandat de huit ans non renouvelable.

Bafise ikiringo c'imyaka umunani kitisubiriza.

La Cour est renouvelée partiellement tous les trois ans, les cinq ans et les huit ans selon le terme du mandat de chaque membre.

Bamwe mu bagize iyo Sentare baja barahindurwa uko haheze imyaka itatu, itanu hamwe n'imyaka umunani hisunzwe igihe umwe wese mu bagize Sentare ahereza ikiringo ciwe.

**Article 5 :**
Avant d'entrer en fonction, les membres de la Cour Constitutionnelle prêtent serment devant le Président de la République en ces termes :

**Ingingo ya 5 :**
Imbere y'ugutangura amabanga bajejwe, abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro barashikiriza imbere y'Umukuru w'Igihugu indahiro ikurikira :

«Devant Dieu le Tout-Puissant, devant le Président de la République et le Peuple burundais, Moi [énoncer le nom], membre de la Cour Constitutionnelle, je jure de respecter la Constitution et la Charte de l'Unité nationale, de remplir consciencieusement les devoirs de ma charge avec probité et en toute impartialité et indépendance, de toujours garder le secret des délibérations et de me conduire constamment avec dignité».

«Imbere y'Imana Mushoboravyose, imbere y'Umukuru w'Igihugu n'Abarundi bose, Jewe [kwivuga izina], umwe mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, ndarahiye ko nzokwubahiriza Ibwirizwa Shingiro n'amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, ko nzorangurana ubuntu amabanga njejwe, nzogendera ubutungane, ata ho mpengamiye kandi mu bwigenge, ko nzogumiza imisi yose mw'ibanga ivyapfundikiwe mu mwiherero kandi ko nzokwama nigenza runtu».

Acte est dressé de la prestation de serment.

Haca hakorwa urwandiko rwemeza ko yashikirije indahiro.

**Article 6 :**
Les fonctions de membre de la Cour Constitutionnelle sont incompatibles avec celles de membre du Gouvernement ou du Parlement.

**Ingingo ya 6 :**
Amabanga y'uwuri mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ntabangikanywa n'ay'umushikiranganji, ay'umushingamateka canke ay'umukenguzamateka

Elles sont également incompatibles avec toute autre fonction judiciaire, d'auxiliaire de justice, tout mandat électif et toute autre fonction de conseiller juridique des services de l'Etat relevant directement de l'Exécutif ou du Législatif

Ntabangikanywa kandi n'ayandi mabanga ayo ari yo yose y'ubucamanza, ay'ugufasha mu nzego z'ubutungane, ayaciye yose mu matora hamwe n'ayandi mabanga ayo ari yo yose y'umuhanuzi mu bijanye n'amategeko mu bisata vya Reta bikukira Urwego Nshingwabikorwa canke Nshingamategeko.

**Article 7 :**
Sous réserve des dispositions de l'article 10 de la présente loi, les membres de la Cour Constitutionnelle sont inamovibles pendant la durée de leur mandat.

**Ingingo ya 7 :**
Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 10 y'iri bwirizwa, abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ntibahindurwa ikiringo cabo kitararangira.

**Article 8 :**
Le mandat des membres de la Cour Constitutionnelle peut prendre fin par démission d'office constatée par la Cour selon les termes de l'article 10 de la présente loi, par démission volontaire, par décès, par incapacité physique constatée par une commission médicale de trois médecins du Gouvernement ou par toute autre cause prévue par le Statut des membres de la Cour.

**Ingingo ya 8 :**
Ikiringo c'uwuri mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro kirashobora kurangira iyo Sentare ibonye ko yahevye akazi hisunzwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 10 y'iri bwirizwa, atanze imihoho avyishakiye, apfuye, atagishoboye akazi kubera ubumuga bw'umubiri butuma atagishobora kurangura imirimo ajejwe bikemezwa n'umugwi w'abaganga batatu ba Reta canke bivuye ku yindi mvo iyo ari yo yose itegekanijwe mu Mategeko ngenderwako agenga abagize Sentare.

Un nouveau membre de la Cour est nommé conformément à l'article 4 de la présente loi.

Uwuja mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro agenwa muri ayo mabanga hisunzwe ingingo ya 4 y'iri bwirizwa.

Les membres de la Cour Constitutionnelle nommés en remplacement de ceux dont les fonctions ont pris fin avant le terme normal achèvent le mandat de ceux qu'ils remplacent.

Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro bagenwa kugira basubirire abo amabanga yabo yarangiye imbere yuko ikiringo gisanzwe gitegekanijwe kirangira basozera ikiringo cabo baba basubiriye.

**Article 9 :**
Il est pourvu au remplacement des membres de la Cour Constitutionnelle quinze jours au moins avant l'expiration de leur mandat.

**Ingingo ya 9 :**
Hategekanijwe ko abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro basubirizwa hasigaye n'imiburiburi imisi icumi n'itanu ngo ikiringo cabo kirangire.

**Article 10 :**

La Cour Constitutionnelle constate dans un rapport circonstancié la démission d'office d'un membre qui exerce une activité ou accepte une fonction ou un mandat électif incompatible avec sa qualité de membre de la Cour ou qui est déchu de ses droits civils et politiques.

**Ingingo ya 10 :**

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro iragira icegeranyo cerekeye uguheba akazi kw'uwuri mu bagize Sentare akora ikindi gikorwa canke yemeye umurimo canke amabanga aronse biciye mu matora atabangikanywa n'ukuba mu bagize Sentare canke yatswe uburenganzira mu bijanye n'ubwenegihugu na poritike.

**Article 11 :**

Dans l'ordre de préséance, le Président de la Cour Constitutionnelle prend rang immédiatement après le Président de la Cour Suprême.

Le rang du Vice-président et des autres membres de la Cour est déterminé en conséquence.

Le Président, le Vice-président et les autres membres de la Cour Constitutionnelle reçoivent un traitement, des indemnités et des avantages dignes de leur rang.

Les membres permanents ont rang de magistrat de la Cour Suprême et bénéficient d'une indemnité spéciale de judicature. Celle-ci est réduite de moitié pour les membres non permanents.

Un décret détermine le traitement, les indemnités et les avantages alloués au Président, au Vice-président et aux autres membres de la Cour Constitutionnelle.

Les membres de la Cour Constitutionnelle ont droit à un passeport diplomatique.

**Ingingo ya 11 :**

Harabwe uko basumbasumbana, Umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro aca akurikira ubwo nyene Umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa.

Icubahiro c'Icegera c'Umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro n'abandi bayigize cisunga uko abo bakuru barongoye izo Sentare bakurikirana.

Umukuru wa Sentare, Icegera c'Umukuru wa Sentare n'abandi bari muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro baronka umushahara, udushirukabute n'utundi turusho bihuye n'icubahiro cabo.

Abacamanza ntayegayozwa bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro bafise icubahiro c'abacamanza ba Sentare Ntahinyuzwa kandi baronswa agashirukabute kadasanzwe kajanye n'amabanga bajejwe. Ako gashirukabute karagabanywa gushika ku ca kabiri ku bandi bari muri iyo Sentare batari ntayegayezwa.

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu riratomora umushahara, udushirukabute hamwe n'uturusho tugenewe Umukuru wa Sentare, icegera c'Umukuru wa Sentare hamwe n'abandi bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro.

Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro barafise uburenganzira ku mpapuro z'inzira z'icubahiro.

**Article 12 :**
En cas de décès d'un membre de la Cour, celle-ci prend entièrement en charge les frais funéraires.

**Ingingo ya 12 :**
Mu gihe uwuri mu bagize Sentare apfuye, iyo Sentare irafata mu minwe ibikorwa vyose vyo kumuhamba

**Article 13 :**
Les membres de la Cour Constitutionnelle bénéficient du droit d'importation d'un véhicule personnel à usage d'affaires et promenades exonéré des droits et taxes une fois durant leur mandat.

**Ingingo ya 13 :**
Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro barafise uburenganzira bwo kwinjiza umuduga mu gihugu ku giti cabo udaca amafaranga batawurihiye amakori n'amatagisi, rimwe mu kiringo cabo.

**Section 2 : Du greffe de la Cour**

**Agace ka 2 : Iyandikiro ry'imanza rya Sentare**

**Article 14 :**
Un greffe est rattaché à la Cour Constitutionnelle et est dirigé par un greffier en chef assisté de deux greffiers.

Le cabinet du Président de la Cour est doté d'un secrétaire.

Le greffier assiste la Cour en audience publique. Il dresse acte de toutes les formalités découlant de l'application de la présente loi.

Le greffier conserve les minutes des décisions et des avis de la Cour.

Il en délivre copies certifiées conformes et dresse acte de toutes les formalités découlant de l'application de la présente loi.

**Ingingo ya 14 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro irafise iyandikiro ry'imanza riba rirongowe n'umwanditsi w'imanza mukuru yunganirwa n'abandi banditsi b'imanza babiri.

Ibiro vy'Umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro birafise umunyamabanga.

Umwanditsi w'imanza arafasha Sentare mu ntahe y'icese. Aragira urwandiko rw'ibisabwa vyose mw'ishirwa mu ngiro ry'iri bwirizwa.

Umwanditsi w'imanza ni we ashingura inzandiko z'imvaho z'ingingo zafashwe na Sentare n'ivyiyumviro yashikirije.

Aratanga ikopi zemejwe ko zisa n'izo nzandiko akongera akandika n'ibindi bisabwa bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'iri bwirizwa.

**Article 15 :**
Le greffier en chef est nommé par décret tandis que les autres membres du personnel sont nommés par ordonnance du Ministre ayant la Justice dans ses attributions.

Le greffier en chef doit être titulaire d'au moins un diplôme de baccalauréat en droit ou équivalent.

Le règlement d'ordre intérieur détermine le fonctionnement du greffe.

**Ingingo ya 15 :**
Umwanditsi w'imanza mukuru agenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu nayo abandi bakozi bagenwa n'itegeko ry'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Ubutungane.

Umwanditsi w'imanza mukuru ategerezwa kuba afise n'imiburiburi urupapuro rw'umutsindo rwa kaminuza rw'imyaka itatu (baccalauréat) mu vyerekeye amategeko canke rungana na rwo.

Amategeko ntunganyabikorwa ni yo atomora ingene iyandikiro ry'imanza rikora.

**Article 16 :**
Avant d'entrer en fonction, le greffier en chef, les greffiers et les autres membres du personnel du greffe prêtent par écrit le serment prévu par la loi régissant l'organisation et la compétence judiciaires.

**Ingingo ya 16 :**
Imbere yo gutangura amabanga, umwanditsi w'imanza mukuru, abandi banditsi b'imanza n'abandi bakozi bo mw'iyandikiro ry'imanza barashikiriza biciye mu rwandiko indahiro itegekanijwe n'ibwirizwa riringaniza Sentare n'ububasha bwazo.

**Section 3 : Du Secrétariat Général de la Cour**

**Agace ka 3 : Ibiro vy'umunyamabanga mukuru wa Sentare**

**Article 17 :**
Un secrétariat général est créé auprès de la Cour Constitutionnelle et est dirigé par un Secrétaire Général.

Le Secrétaire Général est nommé par décret sur proposition du Ministre ayant la Justice dans ses attributions. Il doit être, au minimum, détenteur d'un diplôme de baccalauréat en droit ou équivalent et avoir une expérience d'au moins cinq ans dans le domaine juridique.

**Ingingo ya 17 :**
Harashinzwe ibiro vy'umunyamabanga mukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro birongorwa n'Umunyamabanga mukuru.

Umunyamabanga mukuru agenwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu bisabwe n'umushiranganji mu vyo ajajewe harimwo Ubutungane. Ategerezwa kuba afise n'imiburiburi urupapuro rw'umutsindo rwa kaminuza rw'imyaka itatu (baccalauréat) mu vy'amategeko canke urundi rungana na rwo no kuba afise n'imiburiburi uburambe bw'imyaka itanu mu gisata c'amategeko.

**Article 18 :**
Le Secrétaire Général de la Cour Constitutionnelle a notamment les attributions suivantes :

1° assister le Président dans la gestion du budget de la Cour ;

2° assurer les fonctions de porte-parole de la Cour ;

3° coordonner les services administratifs de la Cour ;

4° assurer l'intendance de la Cour ;

5° suivre la gestion des crédits budgétaires affectés au fonctionnement de la Cour ;

6° veiller à la publication régulière des décisions de la Cour.

**Ingingo ya 18 :**
Umunyamabanga mukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ajejwe canecane ibi bikurikira .

1° gufasha umukuru wa Sentare gutunganya amafaranga Sentare ikoresha ku mwaka ;

2° kurangura amabanga y'umuvugizi wa Sentare ;

3° gukurikiranira hafi ibisata vy'intwaro vya Sentare ;

4° gutunganya ivya nkenerwa vya Sentare mu bijanye n'ukwakira abashitsi ;

5° gukurikirana ikoreshwa ry'amafaranga agenerwa ku mwaka Sentare mw'irangurwa ry'imirimo yayo ;

6° kwitwararika ko ingingo zifatwa na Sentare zija ziratangazwa.

**Article 19 :**
Le Secrétaire Général est assisté par un personnel d'appui affecté aux différents services de la Cour.

Les services d'appui de la Cour sont :

1° le bureau des assistants juridiques ;

2° le service du protocole et de sécurité ;

3° le service de gestion et d'intendance ;

4° le service de la bibliothèque et des technologies de l'information et de la communication.

**Section 4 : De la gestion administrative et financière de la Cour**

**Article 20 :**
La Cour Constitutionnelle établit son règlement intérieur. Celui-ci est publié au Bulletin officiel du Burundi.

**Article 21 :**
La Cour Constitutionnelle jouit d'une autonomie de gestion financière et administrative.

Sur proposition de la Cour, les crédits nécessaires à son fonctionnement sont inscrits au Budget Général de l'Etat.

Le Président de la Cour exerce les fonctions d'ordonnateur principal des dépenses dans les conditions déterminées par la réglementation en vigueur.

Le Président est responsable de l'administration de la Cour. Il veille au bon fonctionnement des services de la Cour et à la discipline de son personnel.

**Ingingo ya 19 :**
Umunyamabanga mukuru afashwa n'abandi bakozi bakorera mu bisata bitandukanye vya Sentare.

Ibisata bifasha Sentare ni ibi :

1° ibiro vy'abafasha mu vy'amategeko ;

2° igisata kijejwe kwakira abitura Sentare, gutunganya ingendo hamwe n'ivyerekeye umutekano ;

3° igisata kijejwe gutunganya uburyo bwa Sentare n'ivya nkenerwa vya Sentare mu bijanye n'ukwakira abashitsi ;

4° igisata kijejwe aho basomera ibitabu, ubuhinga bwa none no guhanahana amakuru.

**Agace ka 4 : Ivyerekeye gutunganya intwaro n'ikigega vya sentare**

**Ingingo ya 20 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro irashiraho amategeko ntunganyabikorwa yayo. Ayo mategeko aca atangazwa mu kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi

**Ingingo ya 21 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ifise uburenganzira bw'ukwitunganiriza ivyerekeye ikigega n'intwaro.

Bisabwe na Sentare, amafaranga akenewe mw'irangurwa ry'imirimo yayo ashirwa mu mafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka.

Umukuru wa Sentare ni we afise uburenganzira nyamukuru bw'ugutanga uruhusha rwo gusohora amafaranga, mu buryo butomorwa n'amategeko asanzwe akurikizwa.

Umukuru wa Sentare ni we abazwa ivy'intwaro muri iyo Sentare. Aritwararika ko ibisata vya Sentare bikora neza hamwe n'inyifato y'abakozi.

## CHAPITRE III : DE LA COMPETENCE DE LA COUR

**Article 22 :**
La Cour Constitutionnelle est compétente pour :

1° statuer sur la constitutionnalité des lois et des actes réglementaires pris dans les matières autres que celles relevant du domaine de la loi ;

2° assurer le respect de la Constitution y compris la Charte des droits fondamentaux par les organes de l'Etat et les autres institutions ;

3° interpréter la Constitution à la demande du Président de la République, du Président de l'Assemblée Nationale, du Président du Sénat, d'un quart des députés ou d'un quart des sénateurs ;

4° statuer sur la régularité des élections présidentielles, législatives et des référendums et en proclamer les résultats définitifs ;

5° recevoir le serment du Président de la République, du Vice-Président de la République, du Premier Ministre et des autres Ministres avant leur entrée en fonctions ;

6° constater la vacance du poste de Président de la République ;

7° constater la vacance des sièges des parlementaires ;

## IGICE CA III : IVYEREKEYE UBUBASHA BWA SENTARE

**Ingingo ya 22 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ifise ububasha bukurikira :

1° kwihweza ko amabwirizwa n'amategeko ashingwa mu bisata bitagenewe kugengwa n'amabwirizwa adateye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro;

2° gucungera ko Ibwirizwa Shingiro harimwo n'amasezerano yerekeye amateka ngenderwako y'ikiremwa muntu yubahirizwa n'abantu, inzego za Reta hamwe n'izindi nzego ;

3° gusigura Ibwirizwa Shingiro bisabwe n'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, ica kane c'abashingamateka canke n'ica kane c'abakenguzamateka ;

4° kwihweza ko amatora y'Umukuru w'Igihugu, ay'abashingamateka ay'abakenguzamateka hamwe n'amatora abenegihugu bemeza canke bagahakana ingingo igomba gufatwa yakurikije amategeko no gutangaza ivyavuye mu matora ubwa nyuma;

5° kwakira indahiro y'Umukuru w'Igihugu, iy'Icegera c'Umukuru w'Igihugu, iy'Umushikiranganji wa mbere hamwe n'iz'abashikiranganji imbere yuko batangura amabanga yabo ;

6° kwemeza ko ikibanza c'Umukuru w'Igihugu kigaragara ;

7° kwemeza ko hari ibibanza vy'abanshingamateka n'abakenguzamateka bigaragara ;

8° contrôler la constitutionnalité des lois organiques avant leur promulgation, des traités internationaux avant de les soumettre au vote du Parlement et des règlements intérieurs de l'Assemblée Nationale et du Sénat avant leur mise en application.

8° gusuzuma ko amabwirizwa yunganira Ibwirizwa Shingiro imbere yuko atangazwa, amasezerano mpuzamakungu imbere yuko atorwa n'Inama Nshingamateka hamwe n'Inama Nkenguzamateka n'amategeko ntunganyabikorwa y'Inama Nshingamateka hamwe n'ay'Inama Nkenguzamateka imbere yuko ashirwa mu ngiro, bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro.

La Cour Constitutionnelle est également compétente pour statuer sur les cas prévus aux articles 116, 162, 165, 166, 193, 200 et 283 de la Constitution.

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro irafise kandi ububasha bwo kugira ico ivuze mu gihe hashitse ibitegekanijwe mu ngingo za 116, 162, 165, 166, 193, 200 n'iya 283 z'Ibiwirizwa Shingiro.

**Section 1 : Des attributions de la Cour en matière électorale**

**Agace ka 1 : Ivyo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ijejwe mu vyerekeye amatora**

**Paragraphe 1 : L'élection du Président de la République, des députés et des sénateurs**

**Agahimba ka 1 : Amatora y'Umukuru w'Igihugu, ay'abashingamateka n'ay'abakenguzamateka**

**Article 23 :**
Les attributions de la Cour Constitutionnelle en matière d'élection du Président de la République, des députés et des sénateurs sont déterminées par le Code Electoral.

**Ingingo ya 23 :**
Ivyo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ijejwe mu vyerekeye amatora y'Umukuru w'igihugu, ay'abashingamateka n'ay'abakenguzamateka bitomorwa n'Igitabu c'amategeko agenga amatora.

**Article 24 :**
La Cour Constitutionnelle ne peut être saisie que par une requête écrite adressée au Président de la Cour.

La requête est reçue au greffe de la Cour.

Le droit de contester une élection appartient aux partis politiques, aux coalitions de partis politiques et à toute personne inscrite sur les listes électorales de la circonscription concernée ainsi qu'à toute personne ayant fait acte de candidature.

**Ingingo ya 24 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ishobora kwiturwa gusa biciye mu rwandiko rushikirizwa Umukuru wayo.

Urwo rwandiko rushikirizwa mw'iyandikiro ry'imanza rya Sentare.

Imigambwe, inani z'imigambwe n'umuntu wese ari ku ntonde z'abatora muri ico kibanza vyerekeye hamwe n'umuntu wese yitoje ni bo bafise uburenganzira bwo guhakana ivyerekeye amatora.

**Article 25 :**
Les requêtes doivent contenir les noms, les prénoms, la qualité et le domicile du requérant, les noms des élus dont l'élection est attaquée et les moyens d'annulation invoqués.

Le requérant doit annexer à la requête les pièces produites à l'appui de ses moyens. La Cour Constitutionnelle peut lui accorder exceptionnellement un délai pour la production d'une partie de ces pièces.

La requête n'a pas d'effet suspensif.

**Ingingo ya 25 :**
Inzandiko z'ukwitwara zitegerezwa kujamwo amazina, amatazirano, ico uwitwaye ari n'aho aba, amazina y'abatowe Itorwa ryabo ryitwariwe hamwe n'ibirego vyotuma ayo matora afutwa.

Uwitwaye ategerezwa kwongera ku rwandiko rwo kwitwara inzandiko z'ivyemezo vy'ivyo yitwariye. Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro irashobora kumuha ikiringo c'ugutanga zimwe muri izo nzandiko naho kidasanzwe gitegekanijwe.

Ukwitwara ntigutuma ivyavuye mu matora bihagarara.

**Paragraphe 2 : Le référendum**

**Agahimba ka 2 : Amatora abenegihugu bemeza canke bagahakana ingingo igomba gufatwa**

**Article 26 :**
Les attributions de la Cour Constitutionnelle en matière de référendum sont déterminées par la loi électorale.

**Ingingo ya 26 :**
Ivyo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ijejwe mu vyerekeye amatora abenegihugu bemeza canke bagahakana ingingo igomba gufatwa bitomorwa n'ibwirizwa rigenga amatora.

**Article 27 :**
Les dispositions de l'article 61 de la présente loi s'appliquent également au contrôle de régularité du référendum.

**Ingingo ya 27 :**
Ibitegekanijwe mu ngingo ya 61 y'iri bwirizwa birakurikizwa kandi no mu gusuzuma ko amatora yo kwemeza canke yo guhakana ingingo igomba gufatwa yisunze amategeko.

**Section 2 : De la réception du serment du Président de la République, du Vice-Président de la République, du Premier Ministre et des Membres du Gouvernement**

**Agace ka 2 : Ukwakira indahiro y'Umukuru w'Igihugu, iy'Icegera c'Umukuru w'Igihugu, iy'Umushikiranganji wa mbere n'iz'abagize Reta**

**Article 28 :**
Lorsque les membres de la Cour Constitutionnelle reçoivent le serment du Président de la République, du Vice-Président de la République, du Premier Ministre et des Membres du Gouvernement avant leur entrée en fonction, ils portent la toge de cérémonie.

**Ingingo ya 28 :**
Mu gihe abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro baba bariko barakira indahiro y'Umukuru w'Igihugu, iy'Icegera c'Umukuru w'Igihugu, iy'Umushikiranganji wa mbere n'iz'abagize Reta imbere yuko batangura amabanga, baba bambaye umwambaro w'ibirori ubaranga.

**Article 29 :**
La Cour Constitutionnelle tient et conserve un registre des serments dont le format et le contenu sont précisés dans le règlement intérieur de la Cour.

**Ingingo ya 29 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro iruzuza ikongera ikabika Igitabu c'indahiro, uko kingana n'ibishirwamwo bigatomorwa mu mategeko ntunganyabikorwa ya Sentare.

**Article 30 :**
L'autorité qui prête serment lève la main droite, la main gauche tenant le drapeau national et celui de l'unité nationale.

Après son serment, elle appose sa signature dans le registre des serments.

Il est donné acte du serment par la signature des membres présents de la Cour.

**Ingingo ya 30 :**
Umutegetsi arahira adugije ukuboko kw'iburyo, ukuboko kw'ibubamfu kugafata ibendera ry'igihugu n'iry'ubumwe bw'Abarundi.

Ahejeje gushikiriza indahiro, aca ashira umukono mu gitabu kigenewe indahiro.

Indahiro yemezwa ari uko ishizweko umukono n'abagize Sentare bahari.

**Section 3. Du constat de la vacance de poste du Président de la République**

**Article 31 :**
En cas de vacance de poste du Président de la République, la Cour Constitutionnelle se réunit toutes affaires cessantes et constate la vacance.

**Agace ka 3 : Ukwemeza ko ikibanza c'Umukuru w'Igihugu kigaragara**

**Ingingo ya 31:**
Mu gihe ikibanza c'Umukuru w'Igihugu kigaragara, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro irakorana ikibiriraho igaca yemeza ko ico kibanza kigaragara.

**Section 4 : Des attributions de la Cour en rapport avec l'état d'exception**

**Article 32 :**
Lorsque la Cour Constitutionnelle est consultée par le Président de la République sur l'opportunité de déclarer l'état d'exception, la Cour se réunit toutes affaires cessantes.

Le Président de la République avise la Cour des mesures qu'il se propose de prendre. La Cour lui donne sans délai son avis.

**Agace ka 4 : Ivyo Sentare ijejwe iyo igihugu kiri mu bihe bidasanzwe**

**Ingingo ya 32 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yituwe n'Umukuru w'Igihugu ko hotangazwa ko igihugu kiri mu bihe bidasanzwe, Sentare ica ikorana ikibiriraho.

Umukuru w'Igihugu aramenyesha Sentare ingingo ashaka gufata, Sentare igaca imushikiriza ico ibivugako idatevye.

**Section 5 : De la constatation de cas de force majeure empêchant l'Assemblée Nationale ou le Senat de siéger au lieu ordinaire de leurs sessions**

**Article 33 :**
La requête en constatation de cas de force majeure empêchant l'Assemblée Nationale ou le Sénat de siéger au lieu ordinaire de leurs sessions est adressée au Président de la Cour Constitutionnelle par le Président de l'Assemblée Nationale ou par le Président du Sénat, selon le cas.

Le Président de la République est informé de la requête.

La Cour statue sur la requête toutes affaires cessantes.

**CHAPITRE IV : DU FONCTIONNEMENT DE LA COUR**

**Section 1 : Des dispositions générales**

**Article 34 :**
La Cour Constitutionnelle se réunit sur convocation de son Président et, en cas d'empêchement, par le Vice-Président de la Cour.

**Article 35 :**
La Cour Constitutionnelle ne peut valablement siéger que si au moins cinq de ses membres sont présents.

Les décisions de la Cour sont prises à la majorité des membres ayant pris part au délibéré. En cas d'égalité de voix, celle du Président de la Cour ou, en cas de son empêchement, celle du Vice-Président, est prépondérante.

Les délibérés de la Cour sont secrets.

**Agace ka 5 : Ukwemeza ko hari intambamyi ntasimbwa ibuza ko Inama Nshingamateka canke Inama Nkenguzamateka ikoranira mu ngoro isanzwe igiriramwo inama**

**Ingingo ya 33 :**
Umukuru w'Inama Nshingamateka canke Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, bivanye n'Urwego urwo ari rwo, arandikira Umukuru wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro amusaba ko hemezwa ko hari intambamyi ntasimbwa ibuza ko Inama Nshingamateka canke Inama Nkenguzamateka ikoranira mu ngoro isanzwe igiriramwo inama

Umukuru w'Igihugu aramenyeshwa ivyasabwe.

Sentare irihweza ikibiriraho ivyasabwe igaheza igafata ingingo.

**IGICE CA IV : IVYEREKEYE INGENE SENTARE YUBAHIRIZA IBWIRIZWA SHINGIRO IKORA**

**Agace ka 1 : Ingingo ngenderwako**

**Ingingo ya 34 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro isasa itumweko n'Umukuru wa Sentare; mu gihe afatiriwe naho, ica itumwako n'Icegera c'Umukuru wa Sentare.

**Ingingo ya 35 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ishobora gusasa kugira ifate ingingo yemewe ari uko n'imiburiburi abacamanza batanu mu bayigize bahari.

Sentare ifata ingingo iyo zemejwe n'abarenga ica kabiri c'abacamanza bashashe. Mu gihe amajwi angana, ijwi ry'Umukuru wa Sentare canke, mu gihe afatiriwe, iry'Icegera c'Umukuru wa Sentare ni ryo ribatatura.

Ivyashinzwe mu mwihwezo biguma ari ibanga.

**Section 2 : De la procédure applicable devant la Cour**

**Agace ka 2 : Ibikurikizwa mu kwakira no mu kuburanisha imanza Sentare ishikirizwa**

**Paragraphe 1 : La déclaration de conformité à la Constitution des lois et des actes réglementaires pris dans les matières autres que celles relevant du domaine de la loi**

**Agahimba ka 1 : Ugutangaza ko amabwirizwa n'amategeko ashirwaho ataje gushira mu ngiro amabwirizwa yari ahasanzwe bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro**

**Article 36 :**
La Cour Constitutionnelle est saisie par le Président de la République, le Président de l'Assemblée Nationale, le Président du Sénat, un quart des membres de l'Assemblée Nationale, un quart des membres du Sénat ou par l'Ombudsman.

La Cour peut également être saisie par toute personne physique ou morale intéressée ainsi que par le ministère public sur la constitutionnalité des lois et des actes réglementaires pris dans les matières autres que celles relevant du domaine de la loi, directement par voie d'action ou indirectement par la procédure d'exception d'inconstitutionnalité invoquée dans une affaire soumise à une juridiction. Celle-ci sursoit à statuer jusqu'à la décision de la Cour Constitutionnelle qui doit intervenir dans un délai de trente jours.

**Ingingo ya 36 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yiturwa n'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, ica kane c'abashingamateka, ica kane c'abakenguzamateka canke n'Umuhuza w'abarundi.

Sentare ishobora kandi kwiturwa n'umuntu wese canke ishirahamwe ryose abifisemwo inyungu hamwe n'Umushikirizamanza kugira yihweze ko amabwirizwa n'amategeko ashirwaho ataje gushira mu ngiro amabwirizwa yari ahasanzwe bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro, bakabigira bo nyene mu gushingisha urubanza canke bakabigira mu bundi buryo bwo kwerekana ko ingingo yafashwe na Sentare kanaka iteye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro. Iyo Sentare irabangira gufata ingingo gushika habonetse ingingo ya Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itegerezwa gufatwa mu kiringo c'imisi mirongo itatu.

**Article 37 :**
Les lois organiques adoptées par l'Assemblée Nationale et le Sénat sont transmises à la Cour Constitutionnelle par le Président de la République pour le contrôle de constitutionalité avant leur promulgation.

**Ingingo ya 37 :**
Amabwirizwa yunganira Ibwirizwa Shingiro yemezwa n'Inama Shingamateka hamwe n'Inama Nkenguzamateka ashikirizwa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro n'Umukuru w'Igihugu kugira isuzume ko adaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro imbere yuko atangazwa.

**Article 38 :**
Le règlement intérieur et les modifications du règlement Intérieur de l'Assemblée Nationale ou du Sénat sont transmis à la Cour respectivement par le Président de l'Assemblée Nationale et par le Président du Sénat pour le contrôle de constitutionalité.

**Ingingo ya 38 :**
Umukuru w'Inama Nshingamateka n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka umwumwe wese arashikiriza Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro amategeko ntunganyabikorwa y'urwego arongoye n'ivyohindurwa muri yo, kugira yihweze ko bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro.

**Article 39 :**
La Cour Constitutionnelle statue dans un délai de trente jours. Toutefois, à la demande du Président de la République et en cas d'urgence, le délai est ramené à quinze jours.

**Article 40 :**
L'autorité qui soumet à la Cour Constitutionnelle une loi ou un acte réglementaire en avise immédiatement les autres autorités ayant qualité pour saisir la Cour Constitutionnelle.

S'il s'agit de lois ou d'actes réglementaires pris dans les matières autres que celles relevant du domaine de la loi soumis au contrôle préalable de constitutionnalité, le recours suspend le délai de promulgation de la loi ou de signature de l'acte réglementaire.

Si la Cour est saisie par une personne physique ou morale, le Ministère public, un quart des députés ou un quart des sénateurs, les autorités visées à l'alinéa premier du présent article doivent également en être avisées.

**Article 41 :**
Le quart des députés ou des sénateurs visé à l'article 36 de la présente loi saisit la Cour par lettre collective.

**Article 42 :**
L'autorité qui saisit la Cour Constitutionnelle pour inconstitutionnalité d'un texte de loi ou d'un acte réglementaire y annexe son exposé des motifs.

**Article 43 :**
Lorsque des personnes physiques ou morales ou le Ministère public soulèvent l'exception d'inconstitutionnalité d'une loi ou d'un acte réglementaire invoqué par une partie et applicable au litige dont une juridiction est saisie, cette dernière sursoit à statuer et renvoie immédiatement la question à la Cour Constitutionnelle.

**Ingingo ya 39 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ifata ingingo mu misi mirongo itatu. Ariko, bisabwe n'Umukuru w'Igihugu no mu gihe vyihutirwa, ico kiringo kiragabanywa gushika ku misi icumi n'itanu.

**Ingingo ya 40 :**
Umutegetsi ashikirije Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ibwirizwa canke itegeko ategerezwa guca abimenyesha abandi bategetsi bafise ububasha bw'ukwitura Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro.

Iyo ari amabwirizwa canke amategeko ashirwaho ataje gushira mu ngiro amabwirizwa yari ahasanzwe bishikirijwe kugira bibanze kwihwezwa ko bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro, ukwitura Sentare bituma hahagarikwa ikiringo ibwirizwa ritangarizwamwo canke itegeko rishirirwako umukono.

Iyo Sentare yituwe n'umuntu canke ishirahamwe, Umushikirizamanza, ica kane c'abashingamateka canke ica kane c'abakenguzamateka, abategetsi bavuzwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo bategerezwa na bo nyene kubimenyeshwa.

**Ingingo ya 41 :**
Ica kane c'abashingamateka canke ica kane c'abakenguzamateka kivugwa mu ngingo ya 36 y'iri bwirizwa bitura Sentare biciye mw'ikete bandikira hamwe.

**Ingingo ya 42 :**
Umutegetsi yituye Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro kugira yihweze ko ibwirizwa canke itegeko ridaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ategerezwa gushirako imperekeza irimwo intumbero yaryo.

**Ingingo ya 43 :**
Mu gihe abantu canke amashirahamwe canke Umushikirizamanza berekanye ko ibwirizwa canke itegeko ryavuzwe n'umwe mu baburanyi kandi rikoreshwa mu rubanza riciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro, iyo sentare ica ibangira gufata ingingo igaca ishikiriza ikibazo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro.

Dès qu'elle est saisie, la Cour Constitutionnelle demande aux parties à l'instance de lui soumettre leurs conclusions sur l'exception d'inconstitutionnalité.

L'appréciation de la conformité à la Constitution est faite après rapport d'un membre de la Cour Constitutionnelle. La Cour statue dans un délai de trente jours.

**Article 44 :**
La décision de la Cour est notifiée aux parties et communiquée à la juridiction devant laquelle l'exception a été soulevée.

La décision est également communiquée aux autorités ayant qualité de saisir la Cour.

**Article 45 :**
Lorsqu'une loi ou un acte réglementaire est déclaré contraire à la Constitution, l'abrogation est d'office.

Toutefois, l'inconstitutionnalité d'une ou de plusieurs dispositions d'une loi ou d'un acte réglementaire n'entraîne pas de droit son abrogation.

**Article 46 :**
Le prononcé d'un arrêt de la Cour Constitutionnelle déclarant qu'une disposition n'est pas contraire à la Constitution met fin à la suspension du délai de promulgation.

**Article 47 :**
Dans le cas où la Cour Constitutionnelle déclare que la loi dont elle est saisie pour contrôle préalable de constitutionnalité contient une disposition contraire à la Constitution et inséparable de l'ensemble de cette loi, celle-ci ne peut être promulguée.

Kuva Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yituwe, ica isaba impande zompi zaburanye imbere ya sentare yari yituwe kuyishikiriza ivyapfunditswe biciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro.

Ukwemeza ko ibwirizwa canke itegeko ryisunze canke ritisunze Ibwirizwa Shingiro bigirwa ari uko umwe mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro amaze gushikiriza icegeranyo. Sentare ica igira ico ibivuzeko mu kiringo c'imisi mirongo itatu.

**Ingingo ya 44 :**
Ingingo ya Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro iramenyeshwa impande zompi ikongera ikamenyeshwa sentare bari bituye ubwa mbere.

Iyo ngingo iramenyeshwa kandi abategetsi bafise ububasha bw'ukwitura Sentare.

**Ingingo ya 45 :**
Mu gihe ibwirizwa canke itegeko ritangajwe ko riciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro rica rifutwa ata kibanje gusabwa.

Ariko, iyo hari ingingo imwe canke nyinshi z'ibwirizwa canke z'itegeko ziciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ntibituma rica rifutwa.

**Ingingo ya 46 :**
Ugusoma urubanza rwaciwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro rumenyesha ko ingingo idaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro bikuraho ingingo y'ukubangira ku kiringo c'ukuritangaza.

**Ingingo ya 47 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itangaje ko mw'ibwirizwa yashikirijwe kugira ibanze gusuzuma ko ridaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro harimwo ingingo iciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro kandi ikaba idashobora gutandukana n'iryo bwirizwa, iryo bwirizwa ntirishobora gutangazwa.

**Article 48 :**
Lorsque la Cour Constitutionnelle déclare que la loi dont elle est saisie contient une disposition contraire à la Constitution sans .constater en même temps qu'elle est inséparable de l'ensemble de cette loi, le Président de la République peut promulguer la loi à l'exception de cette disposition ou demander à l'Assemblée Nationale et au Sénat une seconde lecture.

**Article 49 :**
Une disposition déclarée inconstitutionnelle ne peut être ni promulguée ni mise en application.

**Article 50 :**
Dans le cas où la Cour Constitutionnelle déclare que le règlement intérieur de l'Assemblée Nationale ou du Sénat qui lui a été transmis contient une disposition contraire à la Constitution, la disposition ne peut pas être mise en application par l'Assemblée Nationale ou le Sénat.

**Paragraphe 2 : La procédure pour assurer le respect de la Constitution y compris la Charte des droits fondamentaux, par les organes de l'Etat et d'autres institutions**

**Article 51 :**
La Cour Constitutionnelle est saisie par le Président de la République, le Président de l'Assemblée Nationale, le Président du Sénat, par un quart des députés ou un quart des sénateurs ou par l'Ombudsman.

Toute personne physique ou morale intéressée ainsi que le Ministère public peuvent saisir la Cour Constitutionnelle pour faire assurer le respect de la Constitution y compris la Charte des droits fondamentaux par les organes de l'Etat et les autres institutions directement par voie d'action.

**Ingingo ya 48 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itangaje ko mw'ibwirizwa yashikirijwe harimwo ingingo iciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ariko ntivuge ko iyo ngingo itotandukana n'ibwirizwa, Umukuru w'Igihugu arashobora gutangaza iryo bwirizwa havuyemwo iyo ngingo canke agasaba Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka gusubira kuryihweza.

**Ingingo ya 49 :**
Ingingo y'ibwirizwa imenyeshejwe ko iciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ntishobora gutangazwa canke ngo ishirwe mu ngiro.

**Ingingo ya 50 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itangaje ko amategeko ntunganyabikorwa y'Inama Nshingamateka canke y'Inama Nkenguzamateka yashikirijwe arimwo ingingo iciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro, iyo ngingo ntishobora gushirwa mu ngiro n'Inama Nshingamateka canke n'Inama Nkenguzamateka.

**Agahimba ka 2 : Ibikurikizwa mu gucungera ko Ibwirizwa Shingiro harimwo n'amasezerano yerekeye amateka ngenderwako y'ikiremwa muntu yubahirizwa n'abantu, inzego za Reta hamwe n'izindi nzego**

**Ingingo ya 51 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yiturwa n'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka; Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, ica kane c'Abashingamateka canke ica kane c'Abakenguzamateka canke Umuhuza w'abarundi.

Umuntu uwo ari we wese canke ishirahamwe iryo ari ryo ryose ribifisemwo inyungu hamwe n'Umushikirizamanza barashobora kwitura Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro bayisaba kugira yihweze ko inzego za Reta n'izindi nzego zashizweho bidaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro harimwo n'amasezerano yerekeye uburenganzira ngenderwako, bakayitura bo nyene ubwabo biciye mu gushingisha urubanza.

**Paragraphe 3 : La déclaration de compatibilité d'un engagement international avec la Constitution**

**Article 52 :**
L'autorité qui soumet à la Cour Constitutionnelle un engagement international pour contrôle de constitutionnalité conformément aux dispositions pertinentes de la Constitution en avise immédiatement les autres autorités ayant qualité pour saisir la Cour.

Les dispositions du précédent alinéa s'appliquent également en cas de saisine de la Cour par le quart des députés ou des sénateurs.

**Article 53 :**
La Cour Constitutionnelle statue sur la compatibilité d'un engagement international avec la Constitution par un arrêt motivé. Elle statue dans les trente jours de la saisine.

Toutefois, lorsque la requête invoque l'urgence, le délai est ramené à quinze jours.

**Article 54 :**
Lorsque la Cour Constitutionnelle déclare non conforme à la Constitution une ou plusieurs clauses d'un engagement international, celui-ci ne peut être ratifié.

La décision est notifiée au Président de la République, au Président de l'Assemblée Nationale et au Président du Sénat.

**Agahimba ka 3 : Ugutangaza ko amasezerano igihugu cemeza ku rwego mpuzamakungu adaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro**

**Ingingo ya 52 :**
Umutegetsi ashikirije Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro amasezerano igihugu cemeza ku rwego mpuzamakungu kugira yihweze ko adaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro hisunzwe ingingo zivyerekeye zo mw'Ibwirizwa Shingiro aca abimenyesha abandi bategetsi bafise uburenganzira bw'ukwitura iyo Sentare.

Ibitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo birakurikizwa no mu gihe Sentare yituwe n'ica kane c'abashingamateka canke Ica kane c'abakenguzamateka.

**Ingingo ya 53 :**
Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ifata ingingo y'ukwemeza ko amasezerano igihugu cemeza ku rwego mpuzamakungu iciye canke idaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ibicishije mu ngingo itangira imvo. Sentare ifata ingingo mu kiringo c'imisi mirongo itatu giharurwa kuva yituwe.

Ariko, mu gihe ivyo isabwe vyihutirwa, ico kiringo kiragabanywa kigashirwa ku misi icumi n'itanu.

**Ingingo ya 54 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro itangaje ko ingingo imwe canke nyinshi zo mu masezerano mpuzamakungu ziteye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro, ayo masezerano ntashobora kwemezwa.

Ingingo yafashwe iramenyeshwa Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka.

**Paragraphe 4 : L'interprétation de la Constitution**

**Article 55 :**
L'autorité qui saisit la Cour Constitutionnelle en interprétation de la Constitution indique dans sa requête la disposition ou les dispositions dont l'interprétation est demandée ainsi que les circonstances à l'origine de la demande.

L'autorité ou les parlementaires qui saisissent la Cour en avisent aussitôt les autres autorités ayant également qualité de saisir la Cour.

**Article 56 :**
La Cour Constitutionnelle saisie d'une requête en interprétation de la Constitution statue dans un délai de trente jours.

En cas d'urgence invoquée dans la requête, le délai est ramené à quinze jours.

**Article 57 :**
La Cour se prononce sur la demande en interprétation par voie d'arrêt motivé. Celui-ci est publié au Bulletin Officiel du Burundi.

**Paragraphe 5 : L'examen de la forme législative ou réglementaire des textes**

**Article 58 :**
A la requête du Président de la République, la Cour donne son avis sur le caractère législatif ou réglementaire des textes qui lui sont soumis pour modification.

La Cour se prononce dans un délai de trente jours.

En cas d'urgence, le délai est ramené à quinze jours.

**Agahimba ka 4 : Ugusigura Ibwirizwa Shingiro**

**Ingingo ya 55 :**
Umutegetsi yituye Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro kugira isigure Ibwirizwa Shingiro, arerekana mw'ikete ry'ukubisaba, ingingo imwe canke ingingo nyinshi asaba ko zisigurwa hamwe n'ibitumye abisaba.

Umutegetsi, abashingamateka canke abakenguzamateka bituye Sentare baca babimenyesha ubwo nyene abandi bategetsi bafise na bo uburenganzira bw'ukwitura iyo Sentare.

**Ingingo ya 56 :**
Iyo Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro isabwe gusigura Ibwirizwa Shingiro ifata ingingo mu misi mirongo itatu.

Ico kiringo kiragabanywa kigashirwa ku misi icumi n'itanu mu gihe mw'ikete ryo kubisaba hashikirijwe ko vyihutirwa.

**Ingingo ya 57 :**
Sentare igira ico ishikirije ku vyasabwe vyerekeye ugusigura Ibwirizwa Shingiro biciye mu ngingo itangirwa imvo. Iyo ngingo iratangazwa mu Kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi.

**Agahimba ka 5 : Ukwihweza uko ibwirizwa canke itegeko rimeze**

**Ingingo ya 58 :**
Bisabwe n'Umukuru w'Igihugu, Sentare iragira ico ishikirije ku vyerekeye uko ibwirizwa canke itegeko yashikirijwe ngo ihindure rimeze.

Sentare iragira ico ishikirije mu kiringo c'imisi mirongo itatu.

Mu gihe vyihutirwa, ico kiringo kiragabanywa kigashirwa ku misi icumi n'itanu.

**Paragraphe 6 : L'examen de la recevabilité d'un projet ou d'une proposition de loi**

**Agahimba ka 6 : Ukwihweza ko Integuro y'ibwirizwa yagizwe na Reta canke Nshingamateka canke Inama Nkenguzamateka yakirwa**

**Article 59 :**
Lorsque la Cour Constitutionnelle est saisie de la question de la recevabilité d'un projet ou d'une proposition de loi, elle statue sur les points litigieux par un arrêt motivé, toutes affaires cessantes.

**Ingingo ya 59 :**
Mu gihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yituwe kugira yihweze ko integuro y'ibwirizwa yagizwe na Reta canke n'Inama Nshingamateka yakirwa, ifata ingingo ku biteye impari ibicishije mu ngingo itangira imvo kandi ikabikora ikibiriraho.

La discussion du projet ou de la proposition de loi par l'Assemblée Nationale ou le Sénat est suspendue jusqu'à la décision de la Cour.

Inama Nshingamateka canke Inama Nkenguzamateka irahagarika kwiga integuro y'ibwirizwa riteye impari gushika Sentare ifashe ingingo.

L'autorité qui saisit la Cour en avise aussitôt les autres autorités ayant également qualité de saisir la Cour.

Umutegetsi yituye Sentare aca abimenyesha ubwo nyene abandi bategetsi bafise na bo uburenganzira bw'ukwitura iyo Sentare.

La décision de la Cour est notifiée au Président de la République, au Président de l'Assemblée Nationale, au Président du Sénat et à l'Ombudsman.

Ingingo ya Sentare iramenyeshwa Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka hamwe n'Umuhuza w'abarundi.

**Paragraphe 7 : Les dispositions communes à la procédure suivie devant la Cour**

**Agahimba ka 7 : Ingingo rusangi zijanye n'ingene ivyerekeye imanza bigenda muri Sentare**

**Article 60 :**
La procédure devant la Cour Constitutionnelle est gratuite.

**Ingingo ya 60 :**
Uwitura Sentare nta magarama y'urubanza ariha.

**Article 61 :**
Les décisions de la Cour sont motivées et ne sont susceptibles d'aucun recours.

**Ingingo ya 61 :**
Ingingo zifashwe na Sentare ziratangirwa imvo kandi izo ngingo ntizigira iyungururizo.

**Article 62 :**
L'extrait du rôle des décisions à prononcer est affiché à la porte principale du greffe de la Cour Constitutionnelle.

**Ingingo ya 62 :**
Urwandiko ruriko ingingo za Sentare zitangazwa ruramanikwa ku muryango mukuru w'umwanditsi w'imanza wa Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro.

Les décisions de la Cour sont publiées au Bulletin Officiel du Burundi.

Ingingo za Sentare ziratangazwa mu Kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi.

## CHAPITRE V : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

**Article 63 :**
Les membres de la Cour Constitutionnelle restent en fonction jusqu'à l'expiration de leurs mandats respectifs.

**Article 64 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 65 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 30 décembre 2024**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

## IGICE CA V : IVYEREKEYE INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Ingingo ya 63 :**
Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro baguma mu mabanga yabo gushika ikiringo c'umwumwe wese kirangiye.

**Ingingo ya 64 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 65 :**
Iri bwirizwa ritangura gushirwa mu ngiro kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 30 Kigarama 2024**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE**

**BANYANKIMBONA Domine.**